A Sanctuary in the Desert : **THE HOLY PLACE**

**Lesson 105**

**Exodus 36 : 35 ; Exodus 30 :1-8 ; Hebr 13 :11-12**

Memory verse : ***« Therefore Jesus also, that he might sanctify the people through his own blood, suffered outside of the gate. » Hebr. 13:12***

# IHEMA RY'IMANA M'UBUGARARWA : AHERA

**Kuvayo 36:35 ; Kuvayo 30:1-8; Abaheburayo 13:11-12**

Ijambo ngenderwako : ***« Ni co catumye na Yesu ababarizwa inyuma y'Irembo, kugira ngo yezeshe abantu amaraso yiwe.*** » **Hebur 13:12**

## I. Intangamarara

Kuri plan Imana yahaye Mose, imusaba gutandukanya ahera n'ahera cane. Aha hera hari igicaniro co kwoserezako imibavu mu gatondo no k'umgoroba. Kandi hari hateretswe n'imeza yashirwako imitsima yo gushikanira Imana hakabayo n'ivyotero vy'imibavu. Ibi vyose vyari bifise insiguro no mugihe ca Mesiya.

### II. Ahera ikigereranyo c'ukwezwa.

1. Ivyakorerwa muri iki kibanza bisa n'ivyo ijambo ry'Imana risaba abantu mu gihe co kwezwa.

Umuherezi yemewe m'urugo niwe yashobora kwinjira ahera ; akakira kuri ya maraso akamijagira ahera. **Soma Abalewi 4:5-7**

### III. Inzira ija ku Mana

umunyavyaha yaza ku Mana azanye ikimazi c'ivyaha. Iki catangirwa mu rugo ku gicaniro co guturirirako ibimazi. Bigakorwa mu kukimenako amaraso,ibinure amafyigo,.. Y'igitungwa. Aho ivyaha vyaba bitwikiwe. Ibi vyakorwa n'umherezi kuko ariwe yagereranywa n'umuvugizi w'abantu ku Mana.

Uyu muherezi yarashobora kuba yakoze ivyaha, bikamusaba ko abanza kwitangira ikimazi c'ivyaha. Hari naho Imana yamwica kuko abonetse yuzuye ivyaha. Muri ico gihe, abatanze ibimazi baba bahahombeye, bizobasaba kwongera gutanga ibindi bimazi. Babibura ivyaha vyabo bakabagumako.

Ibi ni ivyerekana ko hari hakenewe umuhereze w'ukuri ashoboye gushiraho inzira ihuza abantu n'Imana. Uwo niwe Yesu.

## IV. Ahera.

Umuherezi niwe yinjira ahera, abazanye ibimazi, basigara hanze m'urugo bariko barasenga. Aya masengesho yaratuma Imana yemera ibimazi vyatanzwe.

Ibi vyerekana ko kwihana ivyaha birashoboka ariko imigenderanire myiza n'Imana ikomezwa no gusenga.

K'urundi ruhande bahashira imitsima cumi n'ibiri ipanze itandatu itandatu igahindurwa buri sabato. Umuherezi niwe yemererwa kuyirya. Iki kibanza kirerekana aho umuntu ashobora kuronka imfungurwa z'uburyo bwa Mpwemu mu gihe yemeye kwezwa n'amaraso ya Yesu.

K'uruhande rwo hepfo, haterekwa igiterekwa ko amatara. Aya matara yama yaka ijoro n'umurango kugira imbere mw'ihema hagume habona. Iki cari ikigereranyo ca Mpwemu iri imbere y'Imana yari yiteguwe kuzohabwa abari mw'isi ngo ihore ibamurikira mu rugendo rwo mkuja mw'ijuru. **Ivyah. 1:4**

Hagati y'igitambara gikingira ahera n'ahera cane, hari ivyotero vy'izahabo vyo konserezako imibavu imota neza. Ntawemererwa kubikorako uretse abaherezi gusa. Caranazira kukizanako umuriro uvuye ahandi. **Abalewi 10:1**-2 « *Nadabu na Abihu, bene Aroni bakira ivyotero vyabo, bashiramwo umuriro, bashirako uimibavu, bayosereza Uhoraho k'umuriro urahuwe ahandi, uwo atabageze haza umuriro uvuye imbere y'Uhoraho urabica, barwa aho imbere yiwe.* »

Iyi mibavu ni ikigereranyo c'amasengesho y'abera be n'igihe c'isangira ryere. Naho bene Aroni bari Abaherezi, ntivyabujije ko Imana ibica kubera iryo kosa. Uku niko Imana yanka abantu bo mw'ishengero bama bayerera kubera intege nke, bakazana ingeso baba bakuye muyandi madini.

## V. Gushira mu ngiro

Ivyaha ntivyaharirwa hatavuye amaraso. Ikimazi gitangiwe ivyaha cabagirwa hanze bagashira amaraso, ibinure amafyigo, ku gicaniro co guturirirako ibimazi, umuherezi akakira kuri ayo maraso akayacucagira kugicaniro co kuserezako imibavu kiri ahera, hari inyama zajanwa guturirirwa inyuma y'igisagara. Ivyo bibaye ; ivyaha vyaratwikirwa.

Ibi vyose vyujujwe na Yesu Kristo aho yemera kubambirwa k'umusozi inyuma y'igisagara. Vyanditswe mu **Hebur. 13:11-12.**

Yabaye umuherezi mukuru yamaho kandi atabonekeko icaha. Yashikanye abantu bose Ahera n'ahera cane. Naho yakoze ivyo, hari abagihagaze inyuma m'urugo. Bisigura ko bari m'urusengero gusa ariko batarahishuririrwa ubwiza bw'ahera ngo bahikire ukwezwa mu maraso ya Kristo. Ariko na n'ubu urugi ruracakinguye ingo nawe winjire ahera, uzuheze wegere n'ahera cane.